**Bible lessons.** **Lesson 20** **YOUR DECISIONS INFLUENCE YOUR LIFE NOW AND AFTER DEATH/ CHOICE OF LOT**

**Genesis 13:1-18**

**Memory verse: "A man will be satisfied with good by the fruit of his mouth; and the recompense of a man's hands will be rendered to him." Proverbs. 12:14**

## INGINGO UFATA, NIBWO BUZIMA BWAWE BW'EJO N'INYUMA Y'URUPFU/ UGUHITAMWO KWA LOTI

**Itang. 13:1-18**

**ICIRWA CA 30**

Ijambo ngenderwako : « ***Umuntu azohaga ivyiza, abiheshejwe n'ibivuye mu kanwa kiwe, kandi umuntu ahabwa ibihwanye n'ibikorwa vy'amaboko yiwe*. » Imig. 12 :14**

### I. Intangamarara

Mu buzima bw'abantu, Imana yaratanze umwidegemvyo wo gufata ingingo iyi canke iyindi kubijanye n'ubuzima bwiwe. Akenshi ingingo dufata zidukorako neza canke nabi ndetse bikanakorako n'umuryango wose ndetse n'ababanyi, ishengero n'igihugu.

Robert Lewis yanditse ko umuntu wese yama yicaye imbere y'imeza yuzuyeko ingaruka z'ingingo yafashe mu buzima ari nziza canke mbi. Bizobandanya n'inyuma yo gupfa. Tuzobona Loti umwishwa wa Aburamu yicaye imbere y'iyi meza. Ikibabaje ni uko tubona amasahani yariko indrya zibaba kandi ategerezwa kuzirya vyanse bikunze kuko niyo ngingo yahisemwo.

### II. Imitongano hagati y'abungere.

Aburamu na Loti bavuye muri Egiputa ari abatunzi, aho i Palestina ntihari hato ariko kubera ubutunzi bwigitanganza bwabo, ntivyari kuborohera kuhabana. Nico catumye Aburamu amusaba ko batandukana amusaba guhitamwo uko avyishakiye. Agomvye iburyo ajeyo, niba agomvye i bumuso ajeyo. Kuri Aburamu vyose ni amahoro.

**III. Ivyari inyuma yigisabo ca Aburamu.**

1.Twarize mu gice ca 12 ko Imana yamubwiye kuva mu gihugu cabo, mu muryango wa se… ariko ntiyabikurikije vyose kuko yahisemwo kujana na Loti umuhungu wa mwenewabo Aroni. Uyu Loti yategerezwa kumubera umutego mu gikorwa cose ahamagariwemwo n'Imana. Azomumara inkomezi. Aka kari kabaye akaryo ko gukurikiza neza ico Imana yamusavye.

Nyuma yo gutandukanan nawe niho Imana yongeye kumusezeranira umugisha. Umurongo wa 14-18. Haraho ivyago bishika kugira umugambi w'Imana kubuzima bwawe ushike. Ariko usabwa kwiyambura vyose nkuko Imana ibigusaba mw'ijambo ryayo.

2.Kubera ko Aburamu yari yizigiye Imana yavuganye nawe, yahaye Loti uburenganzira bwo kwihitiramwo ahamuhimbaye kuba. Aburamu ntiyari uwikunda ngo bitume arwanira ubutunzi kubwiwe. Abenshi hako ahomba ubutunzi yabona ko yoronse, mwotumwa mwankana bibaye ngombwa no kurwana mukarwana. Ariko uwuha umwanya Imana ikibanza irikorera.

**IV. Igisagara Loti yacaguye.**

-Loti yahisemwo mu kiyaya, agenda arunguruza gushika i **Sodomu.** Umurongo wa**12,13**. Ibi ntivyababaje Aburamu yemeye ikibaye. Loti yarafise impwemu yo kwikunda, yafashe ingingo aravye ivyo abonesha amaso nk'inyungu ziwe. Umurongo **wa 10,11**. ***« Loti yunamura amaso yitegereza ikiyaya cose co kuri Yorodani, abona ko hari ibidengeri vy'amazi hose***, … **ajayo**» muri kahise ico kiyaya cari kigizwe n'ibisagara : Sodom, Gomorrah, Zoar, Zeboiim, and Admah. Vyari bitungishijwe n'uburimyi bwimbuka gose. Nta mukene yariho.

-Sodomu igisagara c'abanyavyaha bacumura k'Uhoraho birenze urugero. Umurongo **wa 13.** Loti yariyumviye ati ni nahitamwo birya biyaya, nzobaho neza kurya babayeho, ariko sinzomera nkabo. Ntiyari ashoboye kuyoborera umuryango wiwe mu nzira itunganye. Uku kwari nko kuvuga ngo : « nzorarana n'uyu mu maraya ariko sinzomusambanya kuko ndakijijwe. » yari afise iyerekwa nk'umudandaza (businessman) yibagira Uhoraho Imana yiwe. Abenshi hano, babonye ibibatungisha bahitamwo ivyo naho yoba ari inzira y'umwiza.

**V. Ingaruka ku ngigo zavuye mu kanwa kabo**

-Kuri Aburamu, yabaye amahoro, akomeza imigenderanire yiwe n'Imana agira umugisha, atungwa n'ivyavuye mu kanwa kiwe.

- kuri Loti, ivyavuye kungingo yiwe vyamubereye akaga. Harageze aho ivyo bisagara biterwa arafatanwa n'umuryango wiwe wose atabarwa na Aburamu, --- Sodomu yaruhiye guturirwa n'umuriro ucanwe n'Imana, abura umuryango wiwe, ndetse n'umugore wiwe abirwamwo. Ubutunzi butagira amahoro. **Imig.13 :11** Tuzovyiga neza.

**VI. Gushira mu ngiro**

Umugabo/umugore w'ijambo abonekera ku ngingo afata kubuzima bwiwe canke ku rugo rwiwe.  Ntugashinge amahema yawe impande ya Sodomu kuko impera n'imperuka uzinjirayo ubane nabo. Loti yageze aho bamugira umutware wo muri ico gisagara. Ariko ntivyamubereye amahoro. Huga ikibi, wiruke kure yaco ugumane ubumwe na Kristo yagucunguye.

Guhinduka birashoboka biterwa nico wahisemwo ubwawe. Imana itanga umwidegemvyo wo kwihitiramwo kubijanye n'ubuzima rukristo bwawe. Niyo mpamvu ata numwe kristo azojana mw'ijuru kunguvu canke ngo amukororere mu muriro kunguvu. Ico uhisemwo uyu musi nibwo buzima bwawe bw'ejo haza ndetse na nyuma yo gupfa, uzobaho neza canke nabi bitewe nico wahisemwo ukiri kw'isi. Gusenga bikingura ijuru, n'ubu wosenga Iman iragushoboza.